**Office Burundais des Recettes**

*"Je suis fier de contribuer à la construction du Burundi"*

**COMMISSARIAT GENERAL**

**N/Réf : 540/92/CG/01/5455/EM/2025**

# ITANGAZO

## ABO RYEREKEYE: INZEGO ZIKORESHA AMAFARANGA YA LETA

Hisunzwe ingingo ya 234 yo mw'ibwirizwa n°1/12 ryo ku wa 24 ruheshi 2025 rishinga amafaranga Leta ikoresha mu mwaka wa 2025/2026, urwego rwose rwa Leta rutegerezwa gusaba, uwo ruguriye ibintu canke rwakoreshejeko igikorwa, inyemezabuguzi (facture) yasohowe mu mashine yemejwe n'ikigo kijejwe gutororokanya amakori n'amatagisi mu Burundi "OBR ".

uwuzozana inyemezabuguzi itaciye mu mashine yemejwe na OBR azoca acibwa ihadabu ingana 20% y'igiciro kiri kuri iyo nyemezabuguzi nk'uko biri mw'itegeko nshikiranganji n°540/207 ryo kuwa 30/07/2025 ritunganya itangwa ry'inyemezabuguzi kubigurwa na reta.

Umukozi wa Leta ajejwe kuriha azoca akata iryo hadabu imbere yo kuriha. Iryo hadabu ryakaswe rizoca rishikanwa n'uwarikase mu kigega ca Leta biciye ku ma konte y'ikigo kijejwe gutororokanya amakori n'amatagisi mu Burundi" OBR ". Uwutazobikora azohanwa hisunzwe amategeko.

**Bigiriwe i Bujumbura, ku wa 3 / 9 /2025**

REPUBLIQUE DU BURUNDI
Commissariat Général
B.P: 3465 BUJUMBURA II
OFFICE BURUNDAIS DES RECETTES

**KOMISERI MUKURU**

**Emmanuel MBONIHANKUYE.**